**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°20 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 16 MUNYONYO 2022

Inama y'Abashikiranganji yakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 16 Munyonyo 2022, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 11 Munyonyo 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano akuraho irihishwa ry'uruhusha rwo kwinjira mu bihugu vya Indoneziya n'Uburundi ku benegihigu b'ivyo bihugu bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro canke vy'akazi,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mw'iterambere.

Mu ntumbero yo gukomeza ubucuti no gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Indoneziya, haratewe umukono ku masezerano akuraho irihishwa ry'amahera ku mpusha zo kwinjira muri ivyo bihugu ku benegihugu bavyo bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro canke vy'akazi, kw'igenekerezo rya 22 Nyakanga 2022. Iyo nayo ni intambwe yindi mu gukomeza imigenderanire hagati y'ivyo bihugu bibiri.

Reta y'Uburundi igiranira mwen'ayo masezerano n'ibihugu bisanzwe bifitaniye imigenderanire myiza kuva kera.

Ayo masezerano atumwe n'icipfuzo c'ivyo bihugu co gukomeza imigenderanire hagati yavyo, no kworosha uruja n'uruza ku benegihugu b'ivyo bihugu bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro, hubahirijwe ubungane b'ibihugu no gusubirizanya mu nkoko.

Aya masezerano aciriye inzira ayandi azoshobora guterwa ko umukono nk'ayajanye no gukinga irihishwa ry'ikori incuro zibiri no gukingira imitahe, mu ntumbero yo gushigikira ishingwa ry'imitahe hagati y'ivyo bihugu bibiri.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yayemeje,** mu vyo yashikirije hakaba harimwo bi bikurikira :

- Gukora ibishoboka kugirango aya masezerano Uburundi buyavyazemwo umusaruro mu vy'ubutunzi kuko ico gihugu carashoboye gutera imbere mu mwanya muto cane;
- Kuraba ko ata masezerano mu bisata Reta ishira imbere y'ibindi yoshirwako umukono nko mu burimyi, mu ndero, mu butunzi, mu buhinga bwo guhanahana amakuru, ubudandaji n'ibindi ;
- Gukingira inyungu z'Abarundi bibwa, cane cane nk'abarangurira mu mahanga, kandi ugasanga Uburundi burafitaniye amasezerano n'ivyo bihugu.

2. **Urwandiko rwerekeye amashirahamwe yo mu karere na mpuzamakungu Uburundi burimwo,** rwashikirijwe n'Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mw'iterambere.

Muri iki gihe, Uburundi buri mu mashirahamwe arenga ijana na mirongo itandatu. Ukwo kuba mu mashirahamwe menshi bisaba kwubahiriza ibisabwa, vyaba ibijanye n'amategeko canke ibijanye n'intererano.

Izo ntererano zo ku mwaka ku mwaka ziraremera cane ubutunzi bw'igihugu, bikaba bibonekera ku birarane igihugu gifise mu mashirahamwe amw'amwe.

Kubera uburyo buke, Uburundi busanga budakwije ibisabwa mu mashirahamwe atari make.

Ingaruka ni uko ibirarane vy'intererano Uburundi bwategerezwa gutanga ziguma ziyongera, bikaba bisaba rero ko Uburundi buhitamwo amashirahamwe bubona abufitiye akamaro kanini akaba ariyo bugumamwo.

Ico twomenyesha ni uko :

- Bimwe bimwe mu vyari vyatumye Uburundi bwinjira mu mashirahamwe amw'amwe vyarahindutse canke vyarataye igihe ;
- Kuba mu mashirahamwe amw'amwe ntibigikenewe kuko inyungu Uburundi bwakurikirana ntizikihari canke Uburundi buzironkera ahandi;
- Amanshirahamwe amw'amwe asaba intererano nyinshi kandi Uburundi ata kinini bukuramwo ;
- Naho Uburundi butitabira amanama canke ibikorwa vy'amashirahamwe amw'amwe, intererano zo ntizihagarikwa Uburundi butamenyesheje icese ko buyavuyemwo.

Kubera izo mvo, uru rwandiko rushikiriza ibi bikurikira:

- Uburundi bwokwidohora mu mashirahamwe amw'amwe ata kini amariye igihugu;
- Kurondera uburyo bukwiye, Uburundi bugatanga intererano busabwa ku mwaka ku mwaka mu yo bwoba busigayemwo;
- Amashirahamwe yegamiye Reta n'ayabigenga ari mu mashirahamwe yo mu karere canke mpuzamakungu yoza arategekanya uburyo asabwa nk'intererano muri ayo mashirahamwe;
- Kuganira n'ayo mashirahamwe Uburundi bwagumyemwo k'ukugene ibirarane Uburundi bufise vyorihwa buke buke ;
- Kuganira n'ayo mashirahamwe Uburundi bwavuyemwo k'ukugene ibirarane Uburundi bufise vyorihwa buke buke kandi bukamenyesha icese ko bwidohoye.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri urwo rwandiko, **yashikirije** ibi bikurikira:

- Kwerekana ingaruka zo kuva canke kuguma mw'ishirahamwe iri canke ririya, be n'icatumye Uburundi buryinjiramwo;
- Ubushikiranganji bwose bwomenyesha ubushikiranganji bujejwe imigenderanire y'Uburundi n'amakungu amashirahamwe ataboneka ku rutonde kugirango yose ajeko ;
- Uburundi bwoguma mu mashirahamwe yose kuko ibijanye n'inyungu igihugu gikuramwo bishobora guhinduka umwanya uw'ariwo wose ;
- Hoshirwaho igisata cokurikiranira hafi amashirahamwe Uburundi burimwo kugirango agirire akamaro igihugu bimwe biboneka ;
- Gushira ku rutonde amashirahamwe yose Uburundi burimwo hakurikijwe uko asumbana mu kamaro afitiye Uburundi ;
- Gutegekanya uburyo bujanye n'intererano Uburundi butanga mu mashirahamwe abufitiye akamaro;
- Gusuzuma neza ko abinjiza Uburundi mu mashirahamwe atandukanye baba babifitiye ububasha.

3. **Integuro y'urugero rw'amahera azokoreshwa muri Reta mu gice ca kabiri c'umwaka w'i 2022 ushira uwa 2023,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Urugero rw'amahera akoreshwa rubwirizwa gukurikiza amategeko ahari nayo akaba ari nk'ayerekeye ingene amahera ya Reta akoreshwa, be n'ibwirizwa rishinga amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2022 ushira uw'2023 ritegeka kwerekana urugero rw'amahera akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atat'atatu, Inama y'Abashikiranganji ikabwirizwa kuvyemeza.

Ayo mahera rero asohoka hafatiwe kuyaba yinjiye mu kigega ca Reta. Urwo rugero rw'amahera rwerekeye amahera yose akoreshwa, kiretse ayajanye n'imishahara be no kuriha amadeni.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, **yayemeje**, mu vyo yashikirije hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Kuraba ko mu mwaka w'amahera akoreshwa na Reta w'2023 ushira uw'2024 ayagenewe kugaburira abanyeshule bari mu ndaro yoduzwa ;
- Gukurikirana neza ingene amahera atangwa n'abafashanya n'Uburundi mw'irangurwa ry'imigambi akoreshwa;
- Ubushikiranganji bwose bwokora ibishoboka kugirango amahera yinjira mu kigega ca Reta agume yongerekana.

4. **Urwandiko rwerekeye ivyiyumviro bishasha ku nteguro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya igisata c'igihugu kijejwe gutunganya ibisagara n'inyubako (Agence Nationale de l'Urbanisme et de la Réalisation des Infrastructures (« ANURI »)**, rwashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro

Igisata c'igihugu kijejwe gutunganya ibisagara n'inyubako (Agence Nationale de l'Urbanisme et de la Réalisation des Infrastructures (« ANURI ») ni igisata cari kuvuka hashizwe hamwe igisata kijejwe gutunganya ibisagara n'uburaro (OBUHA), be n'ikijejwe amabarabara (ARB). Umwitwarariko mu gushaka gushira hamwe ivyo bisata bibiri kwari ukugirango vyuzuzanye mu bikorwa.

Ariko kubera ata rwego ruhari rujejwe gukurikirana no gusuzuma ubuziranenge bw'inyubako mu Burundi, ivyo bisata bisanzwe bihari canke ico covuka ntivyokora vyisunga ibikurikizwa mu bindi bihugu cane cane ivyo muri aka karere.
Yaba OBUHA, yaba ARB canke ico gisata covuka ANURI, vyokora arivyo nyene vyigenzura mu gihe ahandi haba hari ibisata bizwi ku rwego mpuzamakungu bijejwe ico gikorwa co kugenzura no gusuzuma ko ivyubatswe vyakozwe hisunzwe ibisabwa.

Gushira hamwe ibisata OBUHA na ARB vyohava bituma ata na kimwe muri vyo gisubira kuboneka haba mu karere canke mu bafashanya n'Uburundi;

Ibishikirizwa rero ni ibi bikurikira:

- Gutenyenya gushira hamwe ibisata OBUHA na ARB ;
- Gukomeza ivyo bisata mu kubironsa uburyo n'ubuhinga kugirango bishobore kurangura neza ibikorwa Reta iba yabishinze;
- Gushiraho urwego rwocungera ubuziranenge bw'inyubako nk'uko biri mu bindi bihugu, cane cane aha mu karere.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ibishikirizwa n'urwo rwandiko, **yabishigikiye**, ica isaba ibi bikurikira :

- Ico gisata kizoba kijejwe gusuzuma ubuziranenye mu nyubako coraba ivyubakwa bikorerwa mu bisata vyose;
- Hoshingwa urwego rukurikirana ibirangurwa n'igisata OBUHA be n'igisata ARB gushika mu ntara , bikenewe no gushika muri Komine mu ntumbero yo kwitegurira ishingwa ry'imbibe nshasha z'intara n'amakomine;
- Kwiga neza ingene ibikorwa vya Reta birangurwa n'ivyo bisata vyayo vyotunganywa neza.

Bigiriwe i Bujumbura , Igenekerezo rya 16 Munyonyo 2022

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvuguzi wayo
Prosper NTAHORWAMIYE